VERMONT
DEPARTMENT OF HEALTH

# Bandanya kuronka amakuru mashasha yerekeye incanco zawe za COVID-19

Gitugutu 2023

**AMAKURU MASHASHA**

Incanco z'ugukinga ikiza COVID-19 z'umwaka 2023 ushira 2024 zikinga imigera y'ico kiza isanzwe yandukira cane kandi mu buryo bwihuse zaremejwe kandi turasabwa ko twozikoresha.

## Urucanco rwa COVID -19 rwakozwe muri uwu mwaka wa 2023 ushira 2024

- Umuntu wese afise imyaka guhera ku mezi 6 canke arenga ategerezwa kuronswa n'imiburiburi urucanco rumwe rushasha rwa COVID-19 rwo muri izo zakozwe mu mwaka wa 2023 ushira 2024 ( ni ukuvuga urwa Pfizer canke Moderna) kugira abandanye kwikingira ugusinzikazwa hamwe no kwinjira ibitaro.
- Guhabwa urucanco rwa COVID -19 ni uburyo bwizewe bwo kwikingira ugusinzikara—no ku bari basanzwe bamaze kugwara COVID-19.
- Abantu bafise imyaka 5 canke bayirengeje barashobora kuronswa urucanco rumwe rwa COVID-19 rwo mu zakozwe mu mwaka wa 2023 ushira 2024 ( aho ni kuvuga urwa Pfizer canke Moderna) mu gihe bamaze n'imiburiburi amezi abiri uhereye igihe bafashe urucanco rwa nyuma urwo arirwo rwose rwa COVID-19.
- Abantu bagize ingorane zisanzwe canke zikomeye zo gutakaza ukwigwanirira kw'umubiri barashobobora gukenera incanco z'inyongera.
- Abana bafise guhera ku mezi 6 gushika ku myaka 4 y'amavuko barashobora gukenera incanco z'inyongera bitewe n'igihe hamwe n'incaco za COVID-19 ziheruka.

## Aho ushobora kuronkera incanco za COVID-19

- Incanco za COVID -19 z'umwaka 2023 ushira 2024 ziboneka ku mavuriro mato mato, inzu zisanzwe zidandaza imiti, ku bigo bijejwe amagara y'abantu bikwegereye hamwe no mu bindi bibanza hirya no hino muri Reta ya Vermont. Mu gihe ushawe isango ry'urucanco rukurikira, urategerezwa gusuzuma no kwihweza neza ikibanza hamwe n'igihe usanzwe ufatirako incanco Ukeneye kumenya ibindi bibanza bisanzwe bitangirwamwo incaco kuri injira kuri uru rubuga Vaccines.gov (rukoresha ururimi rw'icongereza).
- Incanco zo gukinga ikiza COVID-19 ziracatangwa ku buntu kuri wewe uzikeneye, ariko kugeza ubu, uburyo zirihwamwo ni nk'ubundi buryo busanzwe bukoreshwa mu kuriha izindi ncaco. Ukwitegekaniriza mu

Kirundi

bijanye n'ubuvuzi Ku batari bake hazoba harimwo ikiguzi co kuronswa incanco.

- Ku bantu badafise ukwitegekaniriza mu bijanye n'ubuvuzi, canke bafise ukwitegekaniriza kudashobora kuriha ikiguzi c'incanco (ivyo tudakunze kubona), umugambi wa "Immunization Program" wa Reta ya Vermont(urubuga rwawo rukoresha ururimi rw'icongereza) canke "CDC's temporary Bridge Access Program" (urubuga rwawo rukoresha ururimi rw'icongereza) urashobora kuriha ico kiguzi.
- Umuntu uwo ariwe wese arashobora kuronswa urucanco i Vermont, harimwo n'abasanzwe baba mu yindi reta, batari abanyagihugu ba reta zunze ubumwe za Amerika, canke badafise ukwitegekaniriza mu kwivuza.

Menya neza ko: Medicaid itariha ikiguzi co kw'icandagisha ku bana basanzwe bafise ukwitegekaniriza mu mazu adandaza imiti i Vermont.

## Dufashe kuvyerekeye ukwicandagisha

- Umuntu uwo ariwe wese adafise ukwitegekaniriza mu buvuzi arashobora kw'icandagisha abicishije mu gusaba isango kuri local health offices (link in English). Ibiro bijejwe amagara y'abantu bikwegereye navyo birashobora gufasha gucandaga abantu bafise imyaka iri musi ya 65 y'amavuko bafise ukwitegekaniriza mu buvuzi mu gihe badashobora kwicandagisha baciye mu bindi bibanza bitewe no kubura uburyo bwo kwiyunguruza canke izindi ntambamyi.
- Woba ukeneye uburyo bwo kwiyunguruza? Mu gihe udafise uburyo bwo kwiyunguruza kugira uronswe urucanco rwa COVID-19, urasabwa kwakura abajejwe ibijanye no kwiyunguruza bakwegereye canke ukakura Vermont Public Transportation Association (VPTA) (link in English) kuri 833-387-7200.
- Abantu bariko bariga ururimi rw'icongereza, canke abimukira canke impunzi, bipfuza kumenya vyinshi barashobora kwakura ishirahamwe Association of Africans Living in Vermont (link in English) (AALV) at 802-985-3106.